Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 71
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°813 15 Ndamukiza 2024

# Umuryango w'Abapatiri ba Schoenstatt urarumanije imyaka 50 mu Burundi

Abapatiri ba Schoenstatt mu Burundi bari mu kanyamuneza ko kwigina Yubile y'imyaka 50 iheze abapatiri ba mbere b'uwo muryango bashitse mu Burundi. Yubile yahimbarijwe ku musozi wa Siyoni Gikungu ku wa 7 Ndamukiza 2024 aho Imana yabateye iteka mu kubuzuriza akanyamuneza mw'iyatirwa mw'ibanga ry'Ubusaserdoti rya Diyakoni Samuel Sibomana.

Ibirori vyatangujwe n'inkuka ya misa irongowe n'Umwungere mukuru wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura Musenyeri Gerevazi Banshimiyubusa, ahagatiwe n'Umwungere wa Diyoseze Ruyigi Musenyeri Buraziyo Nzeyimana n'Umwungere w'inararibonye wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura Musenyeri Evaristo Ngoyagoye,

Soma ku Rup. 6

Foto: Mélance Ndayikeze



Uwo ni Musenyeri Gerevazi Banshimiyubusa ariko yatira patiri Samuel Sibomana wo mu murywango w'abapatiri ba Schoenstatt

Abakozi ba Ndongozi

Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA

Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI

Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA

Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

## Imyaka 30 iraheze Ntaryamira Cyprien ahitanywe n'isanganya ry'indege



Hari kw'igenekerezo rya 06 Ndamukiza 1994, niho Nyenicubahiro Prezida Cyprien NTARYAMIRA, kumwe na mugenziwe w'Urwanda Prezida Juvenal Habyarimana, n'abo bari kumwe, bahitanywe n'isanganya ry'indege mu gihugu c'Urwanda.

Ibirori vyo kumwibuka bikaba vyatanguriwe n'igisabisho c'Inkuka ya misa yaherejwe kuri Paruwase ya Cathédrale Regina Mundi na Nyenicubahiro Musenyeri Gervais Banshimiyubusa, Umwungere wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura. Mu nyigisho yashikirije,

Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo

o Umusi udasanzwe wahariwe indero muri Diyoseze Nkuru ya Bujumbura.........7
o «Isorosoro rirwira iyo riroye».........8
o Umugwi CVR usabwa gutera iyindi ntambwe utandukire iy'ukunywanisha abarundi.........9
o Uruhara rw'intwaro mu guteza imbere uburenganzira bwo kubungabunga amagara.........10

# Idominika ya Kane ya Pasika : *Umwaka B*

## Igisomwa ca mbere: Ibik. Vy'Ab : 4,8 -12

Ivyo dusoma mu gitabu c'Ibikorwa vy'Abatumwa :

(*Nta wundi muntu n'umwe ashobora kudukiza)*

Muri irya minsi, Petero yohejwe na Mutima Mweranda, yavuze ati: «Bakuru b'igihugu namwe bakurambere, ko uyu musi mutubazagiza kubera iciza twagiriye umuntu w'ikimuga, mukatubaza ico twagikirishije, nimuze mwabimenya mwese n'igihugu c'Israyeli cumve ko ico kimuga cakijijwe n'izina ry'Umukama wacu Yezu Kristu Umunyanazareti, umwe mwebwe nyene mwabamba, Imana ikamuzura akava mu bapfuye.

Iryo Zina ni ryo ryakijije uwo muntu ahagaze imbere yanyu. Yezu ni we rya buye, mwebwe abubatsi mwataye, ryabaye ishimikiro ry'imfuruka. Nta handi hari ubukiriro atari muri we, nkako, munsi y'ijuru, nta rindi zina abantu bahawe ryagenewe kudukiza.»

## Igisomwa ca kabiri: *1 Yohani: 5, 1 -6*

Ivyo dusoma mw'ikete rya mbere ry'Umutumwa Yohani:

(*Tuzomubona nk'uko ari*)

Bakunzi banje:
Nimurabe urukundo Data yadukunze uko rungana tukitwa abana b'Imana, kandi turi bo. Igituma isi itatuzi, ni uko na we itamumenye.

Bakunzi banje, n'ubu turi abana b'Imana, ariko ico tuzoba ntikiraboneka. Ico tuzi ni uko aho kizobonekera, tuzosa na we, kuko tuzomubona uko ari.

## Inkuru nziza : Yohani : 10, 11– 18

**Alleluya, Alleluya.**

*- Umukama yavuze ati: "Jewe ndi wa Mwungere mwiza. Umwungere mwiza yigura intama ziwe."*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Njili nyeranda yanditse Yohani :

(*Umwungere mwiza yigura intama ziwe*)



Muri irya minsi, Yezu yavuze ati: «Jewe ndi wa Mwungere mwiza. Umwungere mwiza yigura intama ziwe. Umucangero atari umwungere kandi atari we nyene intama, abona imfyisi ije, akazita aho agahunga, nya mfyisi na yo ikazigwamwo, ikazishwiragiza. Ubwo rero, ahunga kuko ari umucangero atababaye izo ntama. Jewe ndi wa Mwungere mwiza, ndazi intama zanje na zo nya ntama zikamenya, nk'uko Data anzi nanje nkamumenya. Kandi ndigura intama zanje. Ndafise n'izindi ntama zitari muri uru rugo, na zo nyene mbwirizwa kuzizana zizokwumve ijwi ryanje kandi hazobe ubusho bumwe n'umwungere umwe. Ico Data ankundira ni uko ntanga ubuzima bwanje kugira ngo nze ndabusubireko. Nta wubunyaka, ni jewe nyene ubwanje ndabutanga. Ndi n'ububasha bwo kubutanga n'ubwo kubusubirako. Ni ryo bwirizwa nahawe na Data.»

## Intama nyazo ziratega ugutwi ijwi ry'Umwungere azihamagara

*Intama nyazo ziratega ugutwi ijwi ry'Umwungere mwiza azihamagara*

Bakunzi b'Imana, kuri uyu musi w'Imana igenekerezo rya 21 Ndamukiza 2024, duhimbaza idominika ya kane yo mu gihe ca Pasika, umwaka-B. Nk'uko Ekleziya yabidutegekanirije, uyu musi duhimbaza «Yezu Umwungere mwiza». Ni kandi umusi mpuzamakungungu wahariwe itorwa muri Ekleziya, akaryo karashe k'ukwibukanya akamaro k'abungere b'Ekleziya bari mu kibanza ca Yezu Kristu ng'aha kw'isi, be n'ugusaba dushimitse ngo Imana itore mu bacu abayihebera benshi kandi beranda. Yezu ati: «[Umwungere mwiza] ahamagara intama ziwe, imw'imwe izina ryayo, akaziturutsa.» nk'Umwungere, Yezu ahamagara abiwe, abamuyoboka kuko bamugamburukira mu

Ibikur. urup. 3

# Intama nyazo ziratega ugutwi ijwi ry'Umwungere azihamagara

(Bitangurira ku rup.2)

kwakira no kugendera ijambo ryiwe, abahamagara kugira ngo abahe ubuzima. Uwutamukurikira rero, nta buzima aronka. Ntashobora kuja kwa Data kuko uwo Yezu ni wenyene avuga ati : «Jewe ndi Inzira, ukuri n'ubuzima, ntawuja kwa data atanciyeko. » uwutamukurikiye rero aba yitaye mu rupfu.

***None turashaka kuba intama z'Umukama ?***

Ku bw'ibatisimu twaronse, twemeye kunywana na Yezu, kuba umwe nawe, kuba abana b'Imana n'ukuvukana twese. Bisigura ko twese rero duhamagariwe gufashanya, guhamagarana ngo twegere Yezu, kwitwararikana kugira ngo ntihagire n'umwe atakarira mu rupfu. Erega umwe wese ni umwungere wa mwene wabo. Ikibazo coba kiriho ni uko gusa mu bwungere bwawe kumbure woba utabigenza nk'uko Imana ibishaka.

Mbega, Muvukanyi, ubwo uremerera Imana ngo ikugire umwungere w'intama zayo?

Ntaho uburabuza intama ujejwe, canke mbere ngo uzihutagize?

Mbega hoho, ubwo urasabira ihamagarwa canke itorwa ry'abungere b'Ekleziya?

Mu kuzirikana amajambo ya Yezu ko ari Umwungere mwiza, kandi ko twomukurikira kugira ngo intama ziwe zose zironke ubuzima, kandi ubuzima bwuzuye, be n'ukuntu twomwumviriza, kuko aduhamagara mw'izina, umw'umwe, ibisomwa twisunga ni ivyo dusoma mu gitabu c'Ibikorwa vy'Abatumwa (Ibik.4,8-12), mw'Ikete rya mbere ry'Umutumwa Yohani 3,1-2), be no mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nk'uko yanditswe na Yohani (Yoh.10,11-18).

Bavukanyi, Ijambo ry'Imana riratumenyesha ko umwe Yezu bamanika ku Musaraba, agapfa, agahambwa, yazutse, ari muzima, ari We atwihishurira uyu musi, ko ari We Mwungere Mwiza, azi intama ziwe, kandi akaba yaje ngo intama zironke ubuzima, kandi ubuzima nya buzima.

Igitabu c'Ibikorwa vy'abatumwa catwiganiye ingene Petero, inyuma ya Pentekoti, yigishije ko Yezu bari barishe, ari muzima. Yagiriyeko aha inyishu y'Uguhinduka n'ukwisubirako abari bamubajije ico bokora, aho bamenyeye ko Yezu ari muzima. Iyo nyishu si iyindi: ni uko abantu bokwisubirako, bakabatizwa kw'izina rya Yezu Kristu, ngo baronke ikigongwe c'ibicumuro, bakaronka n'ingabirano ya Mutima Mweranda.

Uwo Petero nyene ni we yongera akatubwira ko Yezu yatwaye ibicumuro vyacu mu mubiri wiwe, akabambwa, kugira ngo dupfe ku gicumuro, duheze tube bazima. Kubera na none ko twayerera nk'intama, none ubu twagarutse ku Mwungere atwitwararitse, atubungabungira imitima. Yezu aratwihishurira uyu musi ko ari Umwungere azi intama ziwe, imwe imwe yose ukwayo, mw'izina ryayo, kandi ko yaje ngo azihe ubuzima, kandi ubuzima nyabuzima.

Yezu abanza kutubwira akaranga k'umwungere nya mwungere. Ubwa mbere, umwungere w'ukuri ngo yinjirira mw'irembo; ntamena uruzitiro. Umwungere nya mwungere atumbera irembo. Ni ho rero umushingwarembo amwugururira, intama zikamumenyera kw'ijwi ryiwe, kandi zikamwumvira azihamagaye.

Umwungere mwiza aba azi intama ziwe, akazihamagara imwimwe mw'izina ryayo, akaziturutsa. Zose zimaze kuva mu ruhongore, azitembera imbere, na zo zikamukurikira, kuko zizi ijwi ryiwe. Ntizikurikira uwuri n'ijwi zitazi.

Bakunzi b'Umukama, si ubwa mbere twumva ivyerekeye abungere mu Bitabu vyeranda. Abafarizayo, Abaherezankuka, kuva kera na rindi, barabwa nk'abungere b'igihugu c'Imana.

Yamara ibitabu vyeranda biratumenyesha kandi ko abo bungere batabaye abigenza nk'abungere nk'uko Imana yabishaka, ko batamye bitwararika kuyobora neza imitima y'abo bari bajejwe.

Turabona ingene Imana ihambarira cane abungere yari yaragije igihugu cayo, mu gitabu c'Umuhanuzi Ezekiyeli (Ezek.34,16).

Hari n'ahanditswe, muri ico kigabane nyene, ngo: «Baragowe abungere b'Israyeli, biragira bo nyene ubwabo! None ibitungwa si vyo abungere bategerezwa kuragira? Mwirira ibinure vyavyo, mukambara impuzu z'ubwoya bwavyo, mugaherezako imbagwa ibitungwa binuze, ariko ntimuragire ibitungwa.

Ntimwakomeje intungwa igoyagoya, ntimwavuye iyirwaye, ntimwatenze iyari yavunitse, ntimwagaruye iyari igiye kuzimira, ntimwarondeye iyatakaye; ariko mwazitwaje umukazo n'agahato...! Ibitungwa vyanje vyarashwiragiye mu gihugu cose, nta n'umwe avyitwararika, kandi nta n'umwe aja kubirondera...! Ehe, ngiye guhigura n'abo bungere; ngiye kubakura ibitungwa vyanje mu minwe, ndababuze gusubira kuragira ivyo bitungwa... Ehe, jewe nyene ngiye kwibungabungira ibitungwa vyanje, ndavyigarurire.

Kurya kw'umwungere agenzura ibitungwa vyiwe igihe ari hagati y'ubusho bwiwe bwashwiragiye, ni ko nanje ngiye kwitwararika ibitungwa vyanje ».

Igihe Igitabu ceranda kivuga Umwungere,

Ibik. urup.6

# Imyaka 30 iraheze Ntaryamira Cyprien ahitanywe n'isanganya ry'indege

*(Bitangurira ku rup.1*

Nyenicubahiro Musenyeri Gervais Banshimiyubusa yishimikije Ijambo ry'Imana ryari ritegekanijwe uyo munsi muri Ekleziya yaratumiriye abari aho kuzirikana ingene Petero na Yohani bakoze igitangaro kw'izina rya Yezu, bagakiza umuntu yari asanzwe amugaye. Abakuru bo mu ntwaro no mu madini ngo barumirwa bwumirwe bibaza bati none, abo si babandi n'ukwiga ataco bize ?

Vyose biratwumvisha ko uwufise ukwemera yobwirijwe kuba uwundi muntu atangaje abantu mu kuba « Ntibarekerwa» iyo hageze gushingira intahe Yezu Kristu be n'ugukora ineza.

Ariko no ng'aha ijambo ry'Imana hari ico ritwigishije : n'iki c'uko ugukora ubutumwa muri iyi si, iyi si turimwo, butigera bworoha namba.

Womenga uko umuntu w'Imana agerageza kurangura ubutumwa bw'ugufasha abantu guheba ikibi bakore iciza, womengo niko sekibi nawe aca asya atazambaye ngo anigire mu menshi ubwo butumwa bwiza n'ivyamwa vyabwo.

Ntibikaduce rero intege kuko umuzimagiza wama ugwanya umuco. Aho Imana iteye ingano, sekibi nawe aba yahatonze ngo atere urwamfu.

Uyo Petero na Yohani bari bahejeje gukora igitangaro mw'izina rya Yezu, maze uwagendana ubumuga baramuhagurutsa asigara asimba bugerere yininahariza Imana yamukijije. None nimwumve : hari abo ririko riraniga bagira bati abo bantu tubagire dute ko igitangaro camaze kumenywa na bose, tutagishobora kubihakana?

Mwumve ingene abantu bama mu muzimagiza w'ikibi bama barazwa ishinga gusa n'ukubuza abandi bariko barakora ivyiza nk'ibi vyo kuba barakijije uwari yaramugaye kandi bakamushikana ku rugero rw'uko asigaye aninahaza Imana.

Aho gukoresha ingabirano zabo kugirango barabe ivyiza bokora, bata umwanya wabo barondera ingene bozimagiza abandi , bakababuragiza kugira ngo ntibabandanye bakora ivyiza. »

Yarongeyeko agira ati, rimwe na rimwe hari aho ijambo ry'Imana ritubwira ibintu bibi, ukibaza niba bitari kuba vyiza ribihoze. Ariko ijambo ry'Imana rirubahuka kubivuga kugira ngo ridutume duca tubigaya, na rirya biba bikivugwa ku bandi. None n'uyu munsi ritubwiyeko baciye baja inama ngo ingo tubabuze ntibabe bagisubira kubwiza iryo zina rikiza. Ingo tubabuze.

Aho kugira bati ingo tubaremeshe, tubashigikire babandanye bakora ivyiza, iwacu hairi abamugaye benshi maze baze iwacu babakize. Bati oya ingo tubabuze. Mwumve namwe ! Ingo tubabuze gukiza, gukora ivyiza.

Ng'uko uko muri iyi si, kuva kera abafise ububasha bashobora kwama bagomba kubuza abandi bariko bakora ubutumwa bwabo bwiza, kuvuga n'ukubandanya bakora ivyiza. Kugira ngo ububasha bwawe ntibuhave bukuvako, kugira nawe uhave ukora nkabo canke ukabarusha kugira ngo abantu baguhitemwo kuko warushije abandi gukora ivyiza.

Muca mutegera ko kwaka uburenganzira bwo kuba bakivuga no kuba bakigira ico bakora, ataho bitaniye n'ukubapfunga.

Ubujije umuntu kuba akivuga n'ukugira ico akora, n'aho atoba arashika muri za mpome zine, uba wamaze kumupfunga.

Aha rero ikibazo dukwiye kuja turibaza, twese mu vyo dukora, ni iki : «None iyo tuvyifashemwo gutyo, hari inyungu bizanira abo dushinzwe canke riho turabahomvya ?

Ku batabizi, mu gihe Prezida Cypriano Ntaryamira yagenwa ngo atware igihugu, twari mu kaga k'uko hari harabaye abantu bari bishizemwo ko ari bo bonyene bashoboye kandi babwirizwa gutwara gushika ku muhero w'isi.

Ku buryo hagize abatari muri bo, bavyure umutwa bagira ngo bagomba gutwara, baca babacinyiza, n'ukumena umutwe bakawumena. Prezida Melchior Ndadaye nico yari yanse, ati nta mwana n'ikinono, umwe wese n'aronke amahirwe angana n'ay'abandi. Murazi ko yahavuye abizira.

N'uyu Prezida Cypriano Ntaryamira rero bari basangiye urwo rugamba bw'uko hatogira abaniganwa ijambo, abakumirwa, abarenganywa. Yari umuntu yitonda, asa n'uwuciye bugufi, ariko yama ashira imbere inzira yo kuganira mu gutorera inyishu ibibazo.

Murazi noneho ko n'isanganya ryamuhitanye yari avuye mu biganiro vy'ugufasha akarere gutorera inyishu zirama ibibazo vy'amahoro.

Ivyo rero turiko turavuga, ntivyabaye mu gihe c'abo ba Prezida Cypriano Ntaryamira n'ababakumira bari ku butegetsi. Ivyabaye ni vyo bibwirijwe kuja biratwigisha, kugira ngo turabe, ntidusange natwe twabiguyemwo tutabizi. Kuko hari abibazako isi itangurana nabo, bakagomba guca mu mayira abandi bamaze gucamwo kandi barabonye ko ayo mayira adashika.

Nk'ubu none tuze turibaza utubazo tubiri canke nka dutatu : « Nk'ubu muri iki gihugu cacu, aho duteye, mu Burundi bwacu :

Ibikur. urup. 12

# Umuryango w'Abapatiri ba Schoenstatt urarumanije imyaka 50 mu Burundi

abasaserdoti benshi barwiriyemwo abasaserdoti ba Schoenstatt, abakristu isinzi n'abaserukiye inzego zitandukanye mu ntwaro.

Abapatiri bane ba mbere ba Schoenstatt bashitse mu Burundi bashikiye i Mutumba ahari hasanzwe hari ababikira ba Mariya wa Schoensatt. Ku wa 12 Mukakaro 1974, niho Musenyeri Mikaheli Ntuyahaga yabashikiriza paruwase Mutumba ngo bayitunganye bongere bafashe abakristu gukura mu kwemera mu kubanywanisha n'Imana biciye mw'isezerano ry'urukundo na Bikira Mariya nkuko Patiri Yohani Kentenich yatanguje uwo muryango yabishira imbere.

Musenyeri Gerevazi Banshimiyubusa ati: « Mu myaka 50 mumaze ngaha mu Burundi, mwaratubereye kirumara, mwarabereye kirumara abakristu bo muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura n'ab'igihugu cose.»

**«Kumwe Data yantuma niko nanje ndabatumye»**

Umwungere Mukuru wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura yarakengurukiye abo bihebeye Imana ingene bakiriye nk'iryo jambo. Abanje kwibutsa ko ababikira ba Mariya wa Schoenstatt ari bo batanguriye abapatiri ba Schoenstatt, Musenyeri ati: «Ubutumwa murangura bwarashikiriye abarundi batari bake mu madiyoseze yose biciye mu muhari wa Schoenstatt. Nimukomere kwibanga»

Intumbero y'ubutumwa bw'abapatiri ba Schoenstatt ngo ni «Kurera umuntu mushasha mu muryango mushasha mu kunagura isezerano y'urukundo kumwe na Bikira Mariya.»

Ubwo butumwa ngo buramaze kwama ivyamwa vyinshi cane: abantu barigishijwe ijambo ry'Imana, ukwemera kwarakomeye mu mitima, mu ngo no mu miryango, imitima iraruhuka, Bikira Mariya arafasha abantu kunywana no gusubiza hamwe nk'uko ikirimba co ku musozi wa Siyoni Gikungu bacitiriye Bikira Mariya umugabekazi wo gusubiza hamwe.

Ku bijanye n'uruhara rw'uwo muryango w'abasaseredoti mu kwubaka Diyoseze nkuru ya Bujumbura, Umwepiskopi mukuru wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura ati: «Hambavu y'ubundi butumwa musanzwe murangura, ni mwebwe mufise ibirimba bibiri vyose muri iyi diyoseze, aho abakristu baza bakiherera, bagasenga, hanyuma bagataha baremurutswe ku mutima».

**Yamubwiye amajambo akomeye cane**

Yerekeje ku mudiyakoni yagomba yatirwe mw'ibanga ry'ubusaserdoti, Musenyeri Gerevazi Banshimiyubusa ati:

« Muvukanyi Samuel tu-



Foto: Mélance Ndayikeze

*Bamwe mu bapatiri ba Schoenstatt bari kumwe n'abandi baje kubafasha akanyamuneza ka Yubile y'imyaka 50*

gira twatire, turakwifurije kandi turagusabira nawe kubandanya utera intambwe mu kwemera izuka ry'Umukama kugira ngo nawe ribandanye rikuzura muri ivyo vyose ukeneye kuzukamwo. Guryo, niho Yezu, Umusaserdoti Mukuru, aca abangukirwa no kugutuma kubandanya ubutumwa yahawe na Se. Nk'uko abatumwa ba mbere babigize, uritwararika kuza urakira mw'Ijambo ry'Imana, mu masakramentu no mu gisabisho amahoro y'umutima agutume urema, uzobone kuremesha abandi.

Uritwararika kandi kuza urugurukira Mutima Mweranda akuronse impuhwe z'Imana cane cane mw'isakramentu ry'ikigorwe gutyo umutima umaze guhimbarwa n'ikigongwe c'Imana uze witwararike kukironsa abakristu ushinzwe.

Vyongeye, urakunda kuza urasangira umutima n'abo muzobana bose nk'uko bibereye abamaze kwemera bose. Niho rero uzokwiyumva aho uzoba uri hose, maze aho ubaye hakama ubumwe, urukundo n'amahoro.

Mperaheje ndakuragiza Umuvyeyi Bikira Mariya twambariza ngaha ku kirimba ciwe kugira ngo, we Mugabekazi w'abatumwa, azoguheke mu mugongo wiwe utavuna ushobore kuba umutumwa w'ubutwari mu kwigisha, mu gutagatifuza no mu kuyobora neza igihugu c'Imana. Muvukanyi, urererwa n'ibanga. Amen!»

Patiri Samuel Sibomana amaze kwatirwa yarakengurukiye cane abavyeyi batamubereye intambamyi igihe abashikirije icifuzo ciwe. Yarakengurukiye n'abandi bose bagize uruhara mu gukuza umuhamagaro wiwe ahereye kubamwigishije akiri muto n'abamufashije mu bigo vy'amarerero bitandukanye yagiye aracamwo.

Tubamenyeshe ko Patiri Samuel Sibomana agize 20 yatiwe muri iryo banga mu myaka 50 umuryango w'Abapatiri b'abaschoensatatt umaze mu Burundi.

*Mélance NDAYIKEZE*

# Inyigisho ya Papa Fransisiko yo ku musi mpuzamakungu wo gusabira itorwa *(Ibikurikira)*

Mu gihe vyose bisa nivyapfuye, hirya no hino haratutuza utugemwe tw'izuka. Ni inguvu zidasanzwe. Ni vy'ukuri, kenshi umengo Imana isa niyitariho kubera akarenganyo, ububisha, ukwinubana n'ubwicanyi biguma vyibonekeza. Yamara naho biri uko, ntitwibagire yuko mu muzimagiza hama hamera ikintu gishasha kikazoteba kigatanga icamwa" (Exhort. ap. Evangelii gaudium, n. 276).

Paulo mweranda arasubira akemeza ko "twaramaze gukira, mugabo biracari mu mwizero"(Rm 8, 24). Icungurwa ryarangutse kw'Ipasika, rirata-nga umwizero, nyakuri, utayegayega, uduha guhangana n'ibibazo turimwo mu misi ya none.

Ukuba bamukerarugendo b'umwizero n'abubatsi b'amahoro bisigura kwubakira ubuzima bwacu k'urutare rw'izuka rya Kristu, tumenya neza yuko utwigoro twacu twose tugira ngo tugendere ibanga ryacu tuguma turi n'ikimazi.

Naho hoba kudashika kw'ihangiro no kubu-ragizwa, ineza tubiba irakura mu gacerere kandi nta na kimwe gishobora kudutesha ihangiro ryacu. Naryo ni uguhwana na Kristu no gusangira akanyamuneza ko kubana nk'abavukanyi imyaka yose.

Uyo muhamagaro wa nyuma dutegerezwa kuwubamwo uko bukeye uko bwije : ukunywana mu Rukundo n'Imana hamwe n'abavukanyi bitegerezwa gutangura tukiri hano kw'isi kugira ngo umugambi w'Imana uranguke. Nawo ni ukubana mu bumwe, mu mahoro n'umuvukano.

Ntihagire numwe yumva ko akumiriwe muri uwo muhamagaro! Umwe wese mu buto buto bwiwe, mu muhamagaro wiwe, afashijwe na Mutima Mweranda, arashobora kuba umubivyi w'umwizero n' amahoro.

**Tube intwari mu kwitanga**

Kubera ivyo vyose, ndasubiriye kuvuga, nkuko nabigize kuri rya Sabukuru Mpuzamakungu ry'urwaruka i Lisibone, nti : Haguruka ! Nitwikangure tuve mw'itiro, ntitube ba "nsha-nokoraiki", twugurure imyango y'ibohero dukunda kwitamwo kugira ngo umwe wese atore kandi arimbure umuhamagaro wiwe muri Ekleziya no kw'isi wo kuba mukerarugendo w'umwizero n'indemesha y'amahoro.

Turwanirire ubuzima kandi twitwararike cane cane abo tubana tu-tibagiye n'ibidukikije. Ndabisubiyemwo : ntimutinye kwitanga ! Don Oreste Benzi, yarabaye umutumwa w'intwari yamye yihebera abo bose bibagiwe, batagira c'epfo ca ruguru, maze akama avuga ati : nta numwe akenye ku buryo atoronka ico gutanga, kandi nta numwe atunze ku buryo atogira na kimwe yoba akeneye. Duhaguru-ke rero, dufate urugendo nka bamukerarugendo b'umwizero.

Nkako, nkuko Bikira Mariya yabigize aho yaja kuramutsa Elizabeti, natwe turashobora gushira abandi ubutumwa bw'akanyamuneza, kuvyara ubuzima bushasha no kuba abaremesha umuvukano n'amahoro

***Bigiriwe i Roma, Saint-Jean-de-Latran, Ku wa 21/03/ 2024***
***Papa Francisko***

*Inyigisho yahinduwe mu Kirundi n'Igisata gishinzwe ubutumwa n'inyigisho ndoramana. Izosomwa ku w'Imana wa kane wa Pasika, 21/04/2024*

# Intama nyazo ziratega ugutwi ijwi ry'Umwungere azihamagara

*(Bitangurira ku rup.3)*

kiba gishaka kuvuga Imana ubwayo, Yo nsa Umwami w'Israyeli. Ariko kandi kiba gishaka kuvuga Umukiza yarungitswe n'Imana. Uyu musi rero, Yezu yongeye kutwihishuka. Ni Umwungere w'Igihugu c'Imana, ni Imana. Natwe tugize igihugu c'Imana, turi nk'intama zayo. Iryo jambo, canke iryo ritazirano, si irisuzugura umuntu na gatoyi. Imana, ni Yo Mwu-ngere, twebwe natwe abayo, turi intama zayo. Yezu rero aratubwira ko ari We yaje kwibungabungira intama Imana yamuragije. Hasigaye kumenya ko natwe twigenza nk'intama z'Imana vy'ukuri.

Intama nyazo zibwirizwa kumenya ijwi ry'umwungere. Intama nyazo ni zirya zama ziteze ugutwi ijwi ry'umwungere azihamagara, ntiziheze ngo zikurikire nyaringa. Intama nyazo ni zirya umwungere aja imbere zigaheza zigakurikira. None ubwo twaramenye koko ijwi ry'Umukama wacu Yezu, Umwungere? Nitwaba dufise ku mutima ko turi intama za Yezu, turemera ko atuyoborera mu nzira y'ubutungane, y'ukuri, y'urukundo ashaka ko bituranga?

Kuri uyu musi rero, nidusabe Umwungere mwiza ngo yitorere imisi yose muri Ekleziya yiwe abungere beza, bazi intama bashinzwe, kandi boja barazereka inzira ijana ahari ubwatsi butotahaye n'ahari amazi y'ubuzima, ari yo dusanga mu masakaramentu. Nidusabe ngo Umwungere mwiza yito-rere abungere batenga intama yavunitse muri rya sakaramentu ry'ikigongwe c'Imana tugirirwa natwe tukakigirira abandi; abadushikiriza ubuzima nya buzima mw'ibatisimu itugira bazima, ikatugira abana b'Imana nyen'ubuzima.

Mukama Yezu, wewe watsinze urupfu, tuyobore mu nzira y'ubuzima, wongere witorere muri Ekleziya abungere beza b'imitima y'intama zawe.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Umusi udasanzwe wahariwe indero muri Diyoseze Nkuru ya Bujumbura



Foto: Chanel HARINGANJI

Uko umwaka utashe, abayobozi hamwe n'abajejwe ivyigwa mu mashule yegukira Ekleziya Gatorika muri diyoseze Nkuru ya Bujumbura, bama bategurirwa ihwaniro ridasanzwe mu ntumbero yo guhugurwa kugira basubire kwibutswa ico bajejwe.

Uwo musi uraheza ukababera akaryo keza ko kumenyana hamwe no kwifurizanya umwaka mushasha.

Ni muri iyo ntumbero nyene ku wa 4 Ndamukiza 2024, hari hategekanijwe umusi udasanzwe wahariwe indero muri diyoseze nkuru ya Bujumbura, abo bari baramutse bahurira mu nyubakwa z'ishule ry'isumbuye ryitiriwe Mutima Mweranda *(Lycée du Saint Esprit)* ku civugo ngo : *« Uburongozi bwiza n'imvugo idakomeretsa, nivyo bikwiye kuranga umuyobozi w'ishule ».*

Nk'uko bisanzwe bitegurwa, ico civugo hamwe n'inyigisho zitangwa hisunzwe ico civugo, birahindagurika uko umwaka utashe.

Uwo musi inyigisho baronkejwe, ikaba yari ishimikiye kubiranga umuyobozi mwiza, hamwe n'imvugo ibereye gukoreshwa hagati y'umuyobozi, abarezi n'abarerwa.

Iyo nyigisho ikaba yatanzwe na patiri BARAMPAMA Sylivestre, arangurira ubutumwa mu gisata ca diyoseze nkuru ya Bujumbura kijejwe ubutungane n'amahoro. Afatiye kuri iyo nyigisho, avuga ko umuyobozi mwiza mubijanye no kurera aba ari wawundi kugira ashike kw'ihangiro ryiza ari uko ategerezwa gufashanya n'abandi basangiye ivyo bikorwa kuko atamurongozi mwiza akora ibintu wenyene.

***None umurongozi mwiza arangwa n'iki?***

Umurongozi mwiza, arangwa n'imico myiza. N'ukuvuga kwumviriza abandi, kwitaho ibibazo vy'abandi nk'ako igiti ciza ukirangirwa n'ivyamwa cama.

Iyo hatabaye uburongozi bwiza, hapfa vyinshi. Kuko iyo tuvuze umurongozi, twumva umurongozi ubwiwe hamwe n'umurwi w'abantu ategerezwa kuyobora n'ihangiro bategerezwa gushikako.

Iyo ata burongozi bwiza buhari, iryo shule rirangwa n'akajagari, abana ntibubaha abarezi, abarezi ntibubahana hagati yabo,...

***Ni izihe ntambamyi zituma hatabaho uburongozi bwiza?***

Ubwambere n'uko kenshi bitumwa na kamere y'umuntu, ugasanga uko yifuza ibintu bigenda n'ukonyene, ashinze itegeko rikaba iryo, naho hoza uwutanga intererano y'iciyumviro ciza coshobora guhindura ibintu, ico ciyumviro ntigihabwe agaciro.

Ikindi n'uko hashobora kuba intambamyi y'uburyo, bushobora gutuma umuyobozi adashika kw'iterambere ry'ishure yashaka gushikako.

Umuco w'ikirundi, nawonyene uri mubishobora gutuma hataba uburongozi bwiza, nk'akarorero ngo : «Impene irisha aho iziritse, umugabo n'uwurya utwiwe n'utwabandi». arico gituma iyo migani idahuye n'Ijambo ry'Imana, umurongozi iyo ahuye n'iyo mico ahamagariwe kuyirengera kuko Yezu ari we karorero keza bakwiye gufatirako.

***Uburongozi bwiza bujana n'ikiyago***

Iyo niyo nzira nziza ibereye gukoreshwa mugihe umuyobozi ari imbere y'abandi.

Igihe hadutse amatati, umurongozi mwiza ashira imbere ingingo hagushira imbere ingimba. Nico gituma umurongozi mwiza, akwiye kwumviriza no gusabikanya ubwo burongozi n'abandi.

Umuyobozi mwiza, ategerezwa kwakira neza abamwitura kandi akabumviriza ataco abangikanije mu kibanza gitekanye.

NIYONGABO Angela



Foto: Chanel HARINGANJI

n'umwe mubakukuruke b'uyu mwaka, yahora arongoye Ecofo Ngagara caritiye ya 5, iryo shule akaba yararirongoye imyaka 16. Avuga ko kuja imbere y'abandi, ari igikorwa kitoroshe namba.

*Biracaza*

***Chanel HARINGANJI***

# «Isorosoro rirwira iyo riroye»

Mu ntumbero yo gushitsa imbonakazoza ya Reta y'Uburundi y'igihugu cifashe mu mwaka w'2040 n'igihugu giteye imbere mu mwaka w'2060, abarundi bamwe bamwe bariko baruguruka amaso mu buryo bwo kuziganiriza kazoza. Bihayi Diyonezi wo kumutumba Burenza Komine Kiganda mu ntara ya Muramvya w'abana 6 na Eliyade Ninteretse wo mu gisagara ca Bujumbura afise umukenyezi n'umwana 1 ni bamwe mu turorero twinshi.

*«Amafaranga ntabikwa mu mufuko».* Uko niko Bihayi Diyonezi, umurimyi w'imyaka 47 atangura mu kuvuga ingene yahinduye ingendo mu bijanye no gushingura amafaranga hamwe no kuziganiriza kazoza kandi ngo vyamubereye kirumara cane. Ati: « Iciyumviro nakimaranye imyaka 3 yose. Nagiye gufata ingingo ntabanduka igihe Reta y'Uburundi isohoreye itangazo ryo guhindura inoti y'ibihumbi bitanu (5000) n'inoto y'ibihumbi cumi (10 000). Kirya gihe, kubera amatangazo n'amakuru yaguma ashikirizwa n'abamenyeshamakuru ku bijanye n'akamaro ko kubika amafaranga muri banki, naciye numva caciyumviro maranye imisi n'iyindi kivyutse ari gishasha».

Nk'uko abandanya abivuga, ngo ikiringo cari catanzwe ntiyarindiriye ko cirirwa kirahera. Agira ati: «Aho abandi bahinduza amafaranga bayajana muhira, jewe nihutiye kwuguruza ububiko muri Coopec, nshirako amafaranga ibihumbi mirongo umunani (80 000) nari mfise aca aba umutahe wanje wa mbere muri banki. Kuva ubwo naciye nigira ingingo yo kwama nziganya n'imiburiburi amafaranga ibihumbi cumu (10 000) ku ndwi».

**Mfitiye ideni Coopec**

Kuva mu kwezi kwa Myandagaro 2023, Bihayi Diyonezi ngo yahisemwo kugendera ingi-ngo yuko afitiye Coopec ideni ry'ibihumbi cumi ategerezwa kuyiriha uko indwi iheze. Agira ati: «Naho vyogenda gute, indwi ntishobora guhera ntajanye mu bubiko bwanje muri Coopec inoti y'ibihumbi cumi. Nama mfitiye Coopec ibihumbi cumi».

Kuva afashe iyo ngingo, ubuzima ngo buriko bufata iyindi ntumbero. «Ubu ndonse amafaranga, ikintu ca mbere niyumvira si kuyajana mu bunywero kunezereza abagenzi, ahubwo niyumvira ideni mfitiye Coopec».

Nkuko abivuga, ngo kuva muri Myandagaro 2023 gushika muri Ntwarante 2024 mu bubiko bwiwe ngo harimwo ibihumbi amajana atatu na cumi na bitanu (315 000 fbu). Ati: «Uwo mwimbu uri mu bubiko bwanje uvuye mu kuziganya dukeduke ata kintu nagurishije kandi ata deni nasavye, uranshimisha cane».

Ihangiro ryiwe, ngo ni gushikana umuliyoni w'amarundi imbere y'uko umwaka wa 2024 uhera, abone gukora umugambi wo kwiteza imbere atadeni asavye. Ati : «Hamaze gususuruka (mu gihe c'ici) ndashobora kuzoza ndabika ibihumbi 20 ku ndwi kuko ngaha i wacu ibikorwa biba bahari».

Ubu ngo ariko amenyereza ishirahamwe yise «Turaheraniye Coopec» ryo guhimiriza abantu kuziganiriza kazoza no kutishinga kuryoherwa birenze urugero. Naho ritarashika kure, ngo ahimbawe nuko abantu bamaze kumumenya. Ati: «Naho mba nciye kukirabo, abantu uza wumva ngo "turaheraniye Coopec". Nanje nti: "Egome cane mwibuke Coopec"»

**«Umwe yifasha gusara ntiyifasha gusaba»**

Eliyade Ninteretse ni umugabo akiri muto, yanonosoye ivyigwa vy'ubutunzi afise urupapuro rw'umutsindo rw'igice ca kabiri ca kaminuza (Maitrise). Uwo nawe afise ihangiro ryo gushira hamwe abantu barenga ibihumbi cumi mu mugambi y'ise «Ibanga Success Finance» (ISF mu mpfunyapfunyo), bashobora gutanga buri kwezi n'imibiriburi ibihumbi cumi vy'amafaranga y'amarundi umw'umwe. Bisigura ko afise ihangiro ryo kwegeranya mu bubiko bwa ISF amafaranga y'amarundi atari munsi y'imiliyoni ijana ku kwezi ku kwezi (100 000 000).

Mu gihe Reta imaze imisi isemerera ngo abantu bareke gukora urudandazwa rw'amahera batabifitiye uburenganzira, Eliyade avuga ati: «Kuri ico jewe nariteguye».

Nk'uko abivuga, umugambi ISF ngo urafise igitabu gisigura umugambi, amategeko agenga umugambi (Statuts) hamwe n'amategeko agenga abazokwinjira muri uwo mugambi (Règlement d'ordre interieur). Hejuru y'ivyo, Eliade aherutse kuronka uruhusha rw'ibanki nkuru y'igihugu rwemeza ko umugambi Ibanga Success Finance (ISF) wemerewe gukora ku mugaragaro. Eliyade ati: «Uru rupapuro ndonse ni uwundi mutsindo kuri jewe, ni nk'ukwezi guserutse mu muzitane w'ijoro. Ibikorwa biratanguye, urugamba rwo kurwanya ubukene ndarwuguruye»

**Ashaka gushika kuki?**

Mu kwiyumvira uwo mugambi ISF, ngo ashaka gushinga ikigo ca mbere mu Burundi no mu karere k'ubuseruko gifise amafaranga menshi y'abanyagihugu. Ayo mafaranga ngo azakoreshwa mu bikorwa vyunguka, igihugu gitere imbere kandi inyungu zigaruke ku benegihugu bo bene imitahe. Aho ngo ni mu gihe akarwi gatoyi k'abarongoye amabanki begeranya inyungu z'umurengera, abantu bake cane bakaba aribo baguma batunga, umwenegihugu nawe akaguma akena gusumba.

Ku kibazo c'uko iryo hangiro azohavura atarishikako agira ati: «Kiretse ko biri muvyo nize nkanonosora, ahari ugushaka haba no gushobora». Eliade ahamagarira urwaruka n'a-bakuze guhindura ingendo mukuziganiriza ka-zoza mukwironderera bo nyene ico bakora batarinze kuzera inze.

Mwomenya ko uwo Eliyade nyene ariwe ariko aratunganya ku gatwe kiwe ihiganwa ndangakaranga ku rwego rw'igihugu (Ibanga Success Award) mu ntumbero y'uko abanyakaranga baronka ikibatunga biciye ku buhinga bwabo.

***Mélance NDAYIKEZE***

# Umugwi CVR usabwa gutera iyindi ntambwe utandukire iy'ukunywanisha abarundi

Umugwi CVR wo kuvugana ukuri no kunywanisha abarundi waratunganuije ihwaniro-kiyago n'abarongoye imigambwe yemewe n'amategeko mu Burundi bahurikiye mu runani FDP (Forum des Partis Politiques).

Iryo hwaniro ryabaye ku wa kabiri igenekerezo rya 2 Ndamukiza 2024, mu nyubakwa y'ingenzi Source du Nil i Bujumbura, ryari riyobowe n'icegera c'umuyobozi w'umugwi CVR, Rvd-Pasteur Clément Noé Ninziza. Umugwi CVR ukaba wari uramutse ushikiriza uwo muce w'abaserukira abarundi icegeranyo c'amatohoza yawo ku bwicanyi bwabaye mu Burundi.

Mu vyo washize ahabona hakaba harimwo n'amabi wemeza ko yateguwe kandi akagirwa n'abari bajejwe intwaro. Clément Noé Ninziza yagize ati: «Twaramutse duhura n'abarongoye imigambwe kuko tuzi ko bagira uruhara runiniya mu bijanye n'uburongozi bw'igihugu!»

Na vyo ibiri mu cegeranyo uwo mugwi CVR wari uramutse ushikiriza abarongoye iyo migambwe vyashikirijwe n'Umunyamabanga w'uwo mugwi, umupfasoni Léa Pascasie Nzigamasabo, aho yamenyesheje ko ico cegeranyo ari impfunyapfunyo y'ibikorwa uwo mugwi wakoze ku-va mu mwaka w'2018, icegeranyo c'ivyatohojwe kuva mu kiringo c'amatariki atukura yo kuva mu mwaka w'1885, aho ibihugu vy'i Buraya vyagabangana Afrika (kuko havugwamwo uruhara rw'abakoroni), gushika mu mwaka w'1973, ikiringo gisigura amabi yo mu mwaka w'1972.

Uwo mupfasoni, amaze guca irya n'ino amatariki yise «ayatukura» y'ukuntu abantu bishwe kandi nabi, abakenyezi batari bake bakabanza gufatwa ku nguvu. Yaravuze kandi n'inkurikizi z'ubwo bugizi bwa nabi. Ngo haciye haba ikinogo kidasanzwe hagati mu mubano w'abarundi.

Ngo hatanguye ukwinubana mu bantu, abantu benshi barasubira inyuma mu bijanye n'iterambere, kubera ngo bavuga bati: «Jewe nta mwana wanje nsubira kurungika mw'ishure, kuko n'abagiye barabishe», a-bandi na bo ngo bagatinya gukora ibikorwa birama, bitera imbere, ku gutinya kwubaka abandi basambura. Ikindi na co ngo harabaye ihunga ry'abacitse kw'icumu.

Uwo mupfasoni kandi yaranavuze n'icigwa asaba ko indongozi z'imigambwe zokura mu vyabaye. Yagize ati: «Ni ukugira ngo tubigire kirazira mu gihugu, ntibizosubire.» Arongera ati: «Mwigishe abana banyu gukunda igihugu, mubigishe kwanka urwanko, banke n'amacakubiri n'ikinyoma.»

***Birihutirwa, imitima yatuntuye nisanasanwa, abarundi baje mw'iterambere batekanye.***

Ibikorwa vy'umugwi CVR ntivyabuze guharirwako, ariko icibonekeje ni uko n'abaserukira imigambwe, nk'iyindi mice yose imaze gushikirizwa ico cegeranyo c'imfatakibanza ngo igire ico ikivuzeko imbere y'ugukora icegeranyo ntabanduka, na bo basaba umugwi CVR gutera intambwe ugana riho ivy'ukunywanisha abarundi.

Ku bw'izo ndongozi z'imigambwe yemewe n'amategeko mu Burundi bahurikiye mu runani FDP (Forum des Partis Politiques), ngo birihutirwa cane ngo imitima yatuntuye isanasanwe, abarundi bakore ibikorwa vy'iterambere bafise imitima itekanye, gutyo babone gushika ku mbonakazoza y'igihugu y'uko mu mwaka w'2040 Uburundi bwoba ari igihugu cifashe kandi giteye imbere mu mwaka w'2060.

***Indongozi z'igihugu nizifate iya mbere mu gusaba imbabazi nka Leta***

Jacques Bigirimana, afatiye ku kuntu abona benshi biriko birabagora kwemanga akabi bakoze, atera akamo Leta gufata iya mbere mu gusaba ikigongwe, kw'izina rya Leta yakoze amabi. Avuga ko Leta yotangura gutegura abarundi ku kugiriranira ikigongwe, kuko ngo bitabaye ukwo, ngo ntaco boheza ngo bashikeko, kuko Leta ari urukurikirane. Yatumye umugwi CVR gusaba Leta gutegura ibintu bibiri: «Gusaba imbabazi nka Leta, hamwe no kwishura ivyanyazwe n'ivyonekaye.»

***Abo vyoba bigora gusaba ikigongwe c'icese nibagisabe basi Imana***

Iyo ndongozi y'umugambwe yunganiwe n'iyo mu wundi mugambwe w'indemesha, umushingantahe Elie Bavugubusa, wewe abona ko abo vyoba bigora gusaba ikigongwe c'icese bopfuma basi bagisaba Imana, baciye ku ntumwa zayo ngaha kw'isi, akarorero nk'abasaserdoti. Kuko ku bwiwe ngo gusaba ikigongwe biragoye, kandi no gutanga ikigongwe ngo ntivyoroshe.

Akaba yaremeje ko yizeye iyo nzira yo guca ku ntumwa z'Imana afatiye ku kuntu ngo bagerageza gusanasana imitima y'abantu, kandi abarundi benshi ngo bakaba bari mu madini, aya na yo akaba mu vyo yigisha harimwo kutagira inzigo y'akazikira. Yagize ati: «Twarabuze twese, nitugiriranire ikigongwe, igihugu gisubire kuba gishasha, abana tuvyara tubarage urukundo n'ugusubiza hamwe!»

Tubamenyeshe ko isango ryaheruka ry'umugwi CVR, hari ku baserukira amadini yemere Kristu ahurikiye mw'ishirahamwe CNEB ry'abaprotestanti, aho uwo mugwi wagarutse ku mabi yagiriwe abanyamadini mu kuyicira indongozi no mu kuyanyaga ubutunzi bwayo.

***Patiri Noël Ntirandekura***

## Uruhara rw'intwaro mu guteza imbere uburenganzira bwo kubungabunga amagara

Kiremwa muntu wese arafise uburenganzira bwo kubungabungirwa amagara, kuko nta kintu na kimwe yokora, mu gihe amagara yiwe abangamiwe. Iyo amagara y'umuntu adatunganiwe, nta ruhara aheza ngo agire haba mw'iterambere ryiwe canke ry'igihugu, kuko ntaba ashoboye gukora ibikorwa bitandukanye vyo kurwiza umwimbu, ngo yiteze imbere yongere ateze imbere igihugu. Kiremwa muntu rero, ategerezwa kubungabungirwa amagara, kugira agume ku kivi, yiteze imbere, ateze imbere umuryango hamwe n'igihugu.

Mw'iyubahirizwa ry'ubwo burenganzira, intwaro, haba ku rwego mpuzamakungu canke ku rwego rw'igihugu kimwe kimwe ukwaco, zisabwa kubigira mwo uruhara ntangere. Urwo ruhara narwo rukaba rugaragarira mu ngingo zitandukanye zifatwa zerekeye kubungabunga amagara y'abenegihugu, ndetse no mw'ishirwaho ry'amategeko, amabwirizwa ndetse n'izindi ngingo mperekeza zayo.

**1. Uruhara rw'intwaro ku rwego mpuzamakungu mu guteza imbere uburenganzira bwo kubu-ngabungirwa amagara.**

Ku rwego mpuzamakungu, hariho amategeko atandukanye yashizweho, mu ngingo ziyagize harimwo izerekana ko kiremwa muntu ategerezwa kubungabungirwa amagara, mukumukingira ico cose coza gituma amagara yiwe abangamirwa. Ayo mategeko na yo ni nk' amasererano mpuzamakungu mu vy'amatungo, imibano n'imico kama, amasezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka k'abana, hamwe n'amasezerano ya Afrika y'agateka no kubaho neza kw'abana, tutibagiye rero n'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu.

***a. Mw'itangazo mpuzamakungu.***

Agace ka mbere k'ingingo ya 25 kavuga ko, intwaro z'ibihugu vyose zibwirizwa gukora uko zishoboye kwose kugira umuntu wese aronke ibikwiye bimufasha kubungabunga amagara yiwe n'ay'umuryango, mu ngaburo,mu vyambarwa, mu buraro, mu kwivuza n'ibindi nkenerwa ku muntu, ategerezwa kubungabungwa mu gihe atagira akazi, arwaye, amugaye, apfakaye, mu gihe atagishobora gukora kubera ubusaza, no mu bindi bihe atagishobora kwitunga kandi bitamuturutseko.

***b.Mu masezerano mpuzamakungu mu vy'amatungo, imibano n'imico kama***

Ingingo y'9 ivuga ko ibihugu vyayashizeko umukono, bibwirizwa gufata ingingo zose zishoboka kugira ngo abenegihugu bavyo bategekanirizwe kazoza, hatibagiwe gutegekanya ibizofasha umuntu agize impanuka canke ageze muza bukuru.

Agace ka 2 k'ingingo ya 12 na ko kavuga ko, ingingo zifatwa n'intwaro z'ibihugu vyegwa n'aya masezerano kugira vyubahirize ubwo burenganzira bwa zina kiremwa muntu bwo kubungabungirwa amagara zitegerezwa kugira ihangiro ryo:

1°) kugabanya ibitigiri vy'abana bapfa bakiri bato canke bakiri mu mbanyi no guteza imbere umwana mu gushiraho ibisata bikurikirana amagara y'-abavyeyi n'abana ;

2°) guteza imbere isuku ryo mu kibano n'iryo mumahinguriro kugira ngo ntibitosekaze amagara y'abenegihugu;

3°) gukinga no kugwanya indwara z'ikiza, izandukira, izituruka ku kazi umuntu akora n'ibindi ;

4°) gukora ibishoboka kugira umuntu wese ashobore kwivuza no kuronswa imfashanyo mu gihe akitswe n'amagara.

***c. Mu masezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka k'abana.***

Muri ano masezerano, harimwo ingingo zerekana ingene intwaro z'ibihugu bitandukanye zibwirizwa kwitaho gufata ingigo zubahiriza uburenganzira bwo kubungabungirwa amagara.

Ingingo ya 24 ivuga ko ibihugu vyashize umukono kuri ayo masezerano bitegerezwa guha umwana uburenganzira bwo kubungabungirwa amagara, agashobora kuronka uburyo bwo kwivuza indwara canke ubundi bumuga.

Igihugu gisabwa gukora uko gishoboye kwose mu gufata ingingo zitandukanye mu ntumbero yo kugabanya igitigiri c'abana bapfa bakiri inzoya canke bakiri bato. Gitegerezwa kwitwararika kandi : amagara y'abana mu kubavuza ; kurwanya indwara n'ugufungura nabi, gutanga imfungurwa zifise ivyunyunyu vyose umubiri ukeneye n'amazi meza ; gukingira no kuvuza abavyeyi imbere n'inyuma y'ukwibaruka ; kuronsa inyigisho abavyeyi n'abana zerekeye akamaro ko kwonsa umwana, ingene bategura ingaburo ibereye, hamwe no kugira isuku ry'umubiri n'iry'aho umuntu aba. Ibihugu bitegerezwa kandi gushiraho ibigo bitanga impanuro zijanye n'irondoka rijanye n'amagara meza.

***d. Mu masezerano ya Afrika yerekeye agateka no kubaho neza kw'abana.***

Ku vyerekeye uruhara rw'intwaro mw'iyubahirizwa ry'uburenganzira bw'-ukubungabungirwa amagara, n'amasezerano ya Afrika yerekeye agateka no kubaho neza kw'abana, yaragize ico abivuga ko.

Ingingo ya 13 ivuga ko ibihugu vyayashizeko umukono, bibwirizwa gufata ingingo zishoboka kugira ngo abana bagendana ubumuga bwo ku mubiri canke bwo mu mutwe babungabungwe, gurtyo bagume bafise amagara meza bongere baronswe ivyo vyose bikenewe kugira agateka kabo kubahirizwe.

Ingingo ya 14 ivuga ko intwaro z'ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano zitegerezwa gukora ibishoboka vyose kugira amagara y'abenegihugu bavyo abungabungwe agume ameze neza.

Iyi ngingo ibandanya ivuga ko igihugu gitegerezwa gukora uko gishoboye kwose kugira igitigiri c'abana bapfa bakiri mu nda hamwe n'abapfa bakiri inzoya kigabanuke, mu kuronsa amazi meza abenegihugu, kugwanya indwara ziva kugufungura nabi, gukurikirana abake-

Ibikur. urup. 11

## Uruhara rw'intwaro mu guteza imbere uburenganzira bwo kubungabunga amagara

(Bitangurira ku rup.10)

nyezi bibungenze n'abonsa kugira bagire amagara meza, gutanga inyigisho zijanye n'irondoka rijanye n'amagara meza.

**2. Uruhara rw'intwaro mu Burundi mu guteza imbere uburenganzira bwo kubungabungirwa amagara.**

Si ku rwego mpuzamakungu gusa rero urwo ruhara rugaragara gusa, no mu Burundi, urwo ruhara ruragaragara, kuko hariho amategeko n'amabwirizwa, ndetse n'izindi ngingo mperekeza intwaro yashizeho, mu ntumbero yo kwubahiriza uburenganzira bw'abenegihugu bwo kubungabungirwa amagara, haba mu gukinga no mu kuvura indwara.

Uru ruhara turarusanga mu ngingo zimwe zimwe ziri mw'ibwirizwa shingiro, mw'ibwirizwa nomero 1/03 ryo ku wa 8 ruhuhuma 2023 rigenga abakozi ba Reta hamwe no mw'ibwirizwa nomero 1/07 ryo ku wa 12 ntwarante 2020 rihindura ibwirizwa nomero 1/012 ryo ku wa 30 rusama 2018, ryerekeye ingene abajejwe amagara y'abantu bategerezwa kwakira no kuvura abenegihugu babitura.

**2.1 Mu gukingira ingwara abenegihugu**

a.Mw'Ibwirizwa Shingiro Ingingo ya 55 ivuga ko umuntu wese afise uburenganzira bwo gukingirwa, amagara yiwe akabungabungwa.

b. Mw'ibwirizwa nomero 1/03 ryo ku wa 8 ruhuhuma 2023 rigenga abakozi ba Reta mu Burundi no mw'ibwirizwa no 1/11 ryo ku wa 24 munyonyo 2020 ryerekeye amategeko y'akazi mu Burundi.

Kubera ko amagara y'abakozi ashobora kubangamirwa bivanye n'umuruho bashobora gukura ku kazi, mu ntumbero yo kubabungabungira amagara, Reta yarashize muri rino bwirizwa, ingingo yerekana akaruhuko umukozi ategerezwa kuronswa mu mwaka.

Ingingo ya 49 yo mw'ibwirizwa rigenga abakozi ba Reta ivugako, umukozi wa Reta afise uburenganzira bwo kuronswa akaruhuko kangana n'imisi 25 mu mwaka.

Nk'uko tubisanga mu ngingo ya 291 mw'ibwirizwa ryerekeye amategeko y'akazi, imisi y'akaruhuko ivugwa mu ngingo ya 49 y'ibwirizwa rigenga abakozi ba Reta, irongerwako umusi umwe mu kiringo c'imyaka 4 umukozi ari ku kazi.

Iri bwirizwa rirategekanya kandi akaruhuko gategerezwa guhabwa umukenyezi yibungenze. Tubisanga mu ngingo ya 55 ivuga ko, umukenyezi yibungenze ahabwa akaruhuko. Ako karuhuko kangana n'indwi 14 zigabuwemwo kubiri, imbere n'inyuma yo kwibaruka. Iyi ngingo yashizwe muri rino bwirizwa mu ntumbero yo kubungabunga amagara y'umukenyezi ndetse n'amagara y'ikibondo.

Iyi ngingo ibandanya ivuga ko mu gihe umukenyezi aheruka kwibaruka atanguye akazi, ahabwa amasaha 2 ku munsi yo kwonsa umwana mu kiringo c'amezi atandatu hamwe n'ikiringo c'isaha 1 ku munsi mu mezi atandatu akurikira. Ni muri ya ntumbero yo kubungabunga amagara y'ikibondo, kuko kwonsa umwana bikwiye,bituma agira amagara meza, ntagwaragurike.

***c. Mw' ibwirizwa nomero 1/09 ryo ku wa 25 rusama 2021, ryerekeye itunganywa ry'ibidukikije mu Burundi.***

Kugira amagara y'abenegihugu agume akingiwe, Reta yarashizeho ibwirizwa ryerekeye itunganywa ry'ibidukikije mu Burundi. Ingingo ya mbere y'iryo bwirizwa ivuga ko ryashizweho mu ntumbero yo gushiraho ingingo ngenderwako mw'ikoreshwa ry'ibidukikije no kubikingira ubwononyi bwose ku neza y'amagara ya kiremwa muntu.

Ibi bituma ikoreshwa ry'amatungo kama riba ritunganijwe neza, amagara ya kiremwa muntu akama amerewe neza kuko ibimutunga bisanzwe biri mu bidukikije.

**2.2 Mu kuvura indwara**

Mu ntumbero yo kubungabunga amagara y'abenegihugu,Reta yarashizeho ibwirizwa nomero 1/07 ryo ku wa 12 ntwarante 2020 rihindura ibwirizwa nomero 1/012 ryo ku wa 30 rusama 2018, ryerekeye ingene abajejwe amagara y'abantu bategerezwa kwakira no kuvura abenegihugu babitura.

Ingingo ya 17 y'iryo bwirizwa ivuga ko, intumbero nyamukuru y'Igihugu mu vyerekeye amagara y'abenegihugu baco, ari uko gitegerezwa kubungabunga amagara yabo, mu gutunganya neza igisata c'ubuvuzi, aho umwenegihugu wese, umwanya wose akitswe n'amagara, ategerezwa kwivuza ata nkomanzi.

Iyi ngingo irerekana ko igihugu kibwirizwa gukwiragiza hose amavuriro, kikayaha abakozi banonosoye ivyerekeye amagara y'abantu, kikayaronsa ibikoresho ndetse n'imiti bikwiye kugira ngo umwenegihugu yivuze neza kandi kw'ivuriro rimwegereye.

Ingingo ya 11 nayo ivuga ko muri iyo ntumbero nyene yo kubungabunga amagara y'abenegihugu, amavuriro ategerezwa kwakira abenegihugu bayitura, haba ku mutaga canke mw'ijoro, bibaye ngombwa ivuriro rikarungika umurwayi ku rindi ririrusha ubushobozi, ariko ryabanje gukora ivyo rishoboye kandi rikabikorana umwete.

Reta yarashizeho kandiitegeko nomero 100/136 ryo ku wa 16 ruheshi 2006 ryerekeye kuvuza ku buntu abana batarakwiza imyaka 5 n'abakenyezi bibungenzemu ntumbero yo kubungabunga kurusha amagara y'abana n'abakenyezi.

Mu gusozera, twomenyako, haba ku rwego mpuzamakungu canke ku rwego rw'ibihugu kimwe kimwe cose kubicerekeye, intwaro ziguma zifise uruhara ntangere mw'iyubahirizwa ry'uburenganzira bwo kubungabungirwa amagara, kuko ni zo zishiraho amategeko n'amabwirizwa ategerezwa gukurikizwa kugira ngo amagara y'abenegihugu agume abungabunzwe.

*Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »*

# Imyaka 30 iraheze Ntaryamira Cyprien ahitanywe n'isanganya ry'indege

(Bitangurira ku rup.4

1. Ababona kandi bakavuga ko agatima ko kugomba kugira umugwi w'abantu bihariza ukigungana ubutegetsi bubanje gukumira abandi bose mu buryo bwose bushoboka. Ko ako gatima kariko karatwinjirana, boba barira busema ?

2. Ababona ko urwego rw'ubutungane rutizigiwe na bose, kuko bisigaye birugora gutunganiriza bose, kubera nkumbure abashobora kuvyivangamwo, ububasha bw'abategetsi bamwe bamwe busigaye buri hejuru y'ububasha bw'amategeko, ababibona uko boba bari kure y'ukuri ?

3. Mbega ko umenga muri iki gihugu cacu hasigaye hari abantu, amashirahamwe, imigambwe mike, muri iki gihugu, yubahuka kugira ico ikebuye ku mugaragaro, ikebuyeko intwaro, bisigura iki, ku vy'uburongozi bwiza ?

Nyabuna, nyabuna, ibi bintu vyabaye muri kahise kandi dutera ivyatsi, nibize biradufasha kuza turikubira agashi, ntitwame turiko dukora ivyo abandi bakoze kandi tubona aho vyagiye birashikana iki gihugu cacu.

Ngarutse kuri ca gisomwa c'ibikorwa vy'abatumwa, kugira ngo nsozere, twumvise ko kubera ubutwari bwakomotse ku kwemera izuka, abatumwa muri ico gihe, barihagazeko, baranka kwumvira abo bariko baragomba kubaka uburenganzira bwabo, barabankira, bati : « Usangwa bikwiye mu maso y'Imana kugamburukira mwebwe, aho twogamburukiye Imana, ngaho vyibaze. Tweho ntidushobora kureka kuvuga ico twabonye n'ico twumvise. »

Ubwo nibwo butwari n'ububasha bw'uwemera izuka. Sinkekereza ko n'uyu Nyenicubahiro Cypriani Ntaryamira abwirzwa kuba yararemeshwa nuko umuntu n'aho yopfa, appfiriye ibanga kandi akora ineza, atorana ubuzima bwuzuye.

Ko turiko turaha icubahiro twongera dusabira Prezida Ntaryamira, turi mubihe vya Pasika bitwibutsa izuka, ese hoboneka abemera benshi nk'aba ba Petero na Yohani, maze bishimikije ukwemera kwabo bakaza baranka ivyiyumviro n'inyifato mbi zose zama ziriko zirasuka igihugu cacu mu marira asa n'ayari mu gihe ca Prezida Ntaryamira.

Dusabe Imana itwumvire, iduhe kubana mu mahoro, Umwana wayo yapfuye akazuka aturonderera. Imana i-duhezagirire Uburundi, yame iburinda gusubira kugwa mu kaga.
Amen !

Inyuma y'iyo nkuka y'imisa, ibirori vyaciye bibandaniriza aho bashinguye uyo muhisi n'ab'abashikiranganji bari kumwe, aho benshi batazira kwa Ndadaye, hakurikiye kwumviriza ijambo Prezida Cyprien Ntaramira yashikirije aho yashikira ubutegetsi kw'igenekerezo rya 5 Ruhuhuma 1994.

Iryo jambo ryahamagarira abarundi gusubiza hamwe akibutsa ko ata bwoko buruta ubundi. Ariko rero ico bamwibukirako kurusha ni ijambo discipline, n'ukuvuga kwitwara neza. Ni naco yavuga ko intwaro yiwe izogenderako ati: « Uburundi ni umurima rusangi twasangijwe n'Imana. Uburundi ntibuzokwigera bugaburwamwo kubiri canke gutatu. abarundi bose nibasubize hamwe bafatane mu nda, mu kugarukana amahoro, mu kubogora umutekano, i-gihugu cacu gisubire kunaga.

Mu migambi yacu, dutegerezwa kwumvisha abarundi bose ko kizira gutyoza agateka ka muntu. Uwari we wese, yaba umuhutu, umututsi canke umutwa, akwiye kwubahirizwa mu buzima bwiwe, mu biwe no mu vyiwe.

Nta bwoko bwo guhonya, nta bwoko bwo guhonyanga. Nta bwoko bwiga gusumba ubundi, nta bwoko nyagupfa canke nyagukira. Abarundi bose, baba abahutu, abatutsi canke abatwa barangana imbere y'Imana n'amategeko.

Inzira dushaka gucira Uburundi ni iyo kunywanisha abarundi bose, bizerane, bubahane, bafatane mu nda, mu gusanura ivyasambutse, umutima uri mu nda, ata kwinubana.

Ni co gituma dusavye abajejwe kwubahiriza amategeko y'igihugu kurikanura kurusha, bagakora cane cane ata nkunzi, bagatuza amabi adahengeshanya gutera isibe mu gihugu cacu. Tuzonezerwa cane tubonye ko ako kamo bakumvise mu gihe bazoyoboka amabanga bashinzwe ata kugonanwa.

Mu majambo make, tugiye kwihutira kugarukana discipline mu gihugu: discipline mu mashure, mu ntwaramiheto, mu kazi, mu migambwe, mu ntwaro. Abarundi bubahane, bubahe amategeko, bayoboke imirimo yo soko ry'iterambere. Nta rundi rukiza rw'uburundi Atari imirimo, ubutungane n'ukwubahiriza agateka ka zina muntu".

Ivyo birori vyasozerewe n'ishirwa ry'ingori z'amashurwe ku ntatemwa ya Nyenicubahiro Cyprien Ntaryamira hamwe n'abo bari kumwe, uhereye ku mukuru w'igihugu n'umutambukanyi wiwe, abaryango b'abahisi, abaserukiye ibihugu vyabo n'abaserukiye imigambwe.

Tubibutse ko ivyo birori vyari vyitabwe n'abanyacubahiro batandukanye ba Reta y'Uburundi, uhereye k'uwuyirongoye Umukuru w'Igihugu kumwe n'umutambukanyi wiwe

*Patiri Noël Ntirandekura*